INAMA NKURU Y'ABASHINGANTAHE
CONSEIL NATIONAL DES BASHINGANTAHE
SECRETARIAT GENERAL
BP 413 GITEGA

IJAMBO RISHIKIRIJWE N'INAMA NKURU YABASHINGANTAHE KU VYEREKEYE IBIBANGAMIYE UBURUNDI MU GIHE CA NONE

Ben'icubahiro mwese murongoye Uburundi
Banyakwubahwa mwese mujejwe intwaro
Bashingantahe, Bapfasoni,
Bene gihugu na mwebwe ba kavantara muba mu Burundi,
Tugire amahoro n'intahe mu Burundi!

Kuva na kera na rindi, Abarundi bari bafise umugenzo mwiza wo kubogora igihugu kitaragwa mu manga. Bashira imbere itekane mu mibano y'abantu, bakitwararika cane cane ko ibintu bitaha aho bitegerezwa gutaha. Gutyo, bagatumbera ukunywanisha abantu n'abandi, bataravye nkunzi, ata wandya wangura. Babifashwamwo n'urwego rw'Abashingantahe.

Muri kino gihe rero, Abarundi barafise umwitwarariko munini ku vyerekeye ubutegetsi n'ugusubiza hamwe. Abanyepolitike barakubise agatima mpembero, baribuka ko amacakubiri ata n'umwe yungukiye, bapfundika Amasezerano y'ukubana bataryana nk'inyamaswa. Igihe tugezemwo rero kirimwo ibibazo n'amahinyu. Mbere ibibazo uko bimeze ubu, biratuma abantu bacanamwo, cane cane hagati y'abemeye gusangira ubutegetsi babicishije mu masezrano yahagarikiwe n'amakungu.

Inama Nkuru y'Abashingantahe, imaze kwihweza ingene ibintu vyifashe, yashimye gukebura ababipfa kugira ngo ntibagwe mu mutego w'uguterana amajambo, n'ukwihebura kukazamwo. Vyohava bitera indyane ziyongera ku zihari. Yaciye rero ishikiriza ijambo rikwirikira:

- Kubera ko urwego rw'Abashingantahe rwamye rwamira, ibara ritaragwa, rugashikiriza ijambo ryubaka, ridahengamiye kuri nkunzi ;

- Kubera ko Uburundi butigeze bubura Abashingantahe n'Abapfasoni batavugira Mivumbi kumuvumba kandi bisunga indahiro n'ibanga bishinze ku musi w'ukwatirwa;

- Kubera ko Abashingantahe n'Abapfasoni ari ba Museruka rukamvye, nk'ubu Uburundi bugeze ahatemba;

- Kubera ko ata ngingo n'ingendo bitomoye biraboneka, vyotuma Abarundi batekanirwa, aho kwicura ibicumito, n'ugukarisha urwanko n'amacakubiri ;

INAMA NKURU Y'ABASHINGANTAHE

1 . Isubiye gukebura abajejwe ubutegetsi n'abakuru b'imigambwe bose, bazi ijambo bapfunditse mu masezerano yabereye muri Tanzaniya no mu bindi bihugu bidufasha, ngo bikebuke, bibuke ko Uburundi buruta inyungu zose baharanira n'ibindi vyose boba bapfa, bituma Abarundi barara ntibuca, bikongera bigasubiza Igihugu inyuma.

2. Irasemereye ko Amasezerano y'Amahoro n'ukunywanisha Abarundi hamwe n'amasezerano y'uguhagarika indwano akwiye kwubahirizwa yose. Kubera ivyo, abayashizeko igikumu, tuzi ko barahiye indahiro ntarengwa. Barakwiye rero kwama bayaga bashira hamwe, aho kwandagaza ijambo ry'inkenekene mw'ibarabara, bagashikiriza Abarundi iryo bumvikanye, rijanye n'ukugorora ivyoba bigoramye, ridatana n'akoho ngo rihave risenyura ivyo ryarondera kubogora. Kandi bibuke ko umugabo atihindukiza kw'ijambo.

3. Iribukije ko ijambo ryubaka atari irivuye mu mahanga gusa. Abategetsi n'abakuru b'imigambwe ni bibuke na ntaryo ko intahe ikiriho mu Burundi, bikore aho bashobora guhamvya, amazi atararenga inkombe aho kwizera na ntaryo amazi masabano, amwe atamara imvyiro.

4. Iremeye kuja hagati y'abapfa Amasezerano ajanye n'ukubisikanya mu vyerekeye ubutegetsi. Izohanurana ubwitonzi buvanze n'ubuvyeyi kugira ngo ntihagire abanyerera ngo bahave bafatira ku ndyane ziriho, barondera gusubiza Uburundi mw'ihumbi. Igiti nticodukora mu jisho kenshi kandi Abashingantahe n'Abapfasoni bari aho, barorera.

5. Iribukije abategetsi bose ko ukurondera amahoro atari ukwitwararika ugutekanirwa kw'abategetsi bonyene. Amahoro nyakuri ni itekane, ni ubutungane, ni ineza vyorohereza uwuba mu gihugu wese. Kubera ivyo, aho kwitwararika ubutegetsi gusa, barakwiye kwita ku rutare kugira ngo indwano ihagarare ubu bwa vuba, kugira ngo abavyeyi bavyare baheke, Abarundi bakubite isuka kandi bimbure, baticura ibisahuzi, abicanyi n'abandi bikika mu kiza. Inama Nkuru y'Abashingantahe isavye Abarundi bose gusubiza inkota mu rwubati, bahebe kwicura ibicumito, biyumvire riho kazoza kabo, batarinze gushira imbere amacakubiri y'amoko n'ayandi mazimwe.

6. Irasavye Leta y'Uburundi gushira imbere ineza ya bose, aho kwishimikiza na ntaryo ukwigungirako ubutegetsi n'ugufata minenerwe ikibazo c'ukudakurikiza amasezerano yashitsweko**.** Baca umugani mu kirundi ngo « wanka kugarura intungwa ikiri hafi, yamara kumara imirambi ukabira nka yo». Abarundi barashegeshwe; ntibipfuza gusubira mw'ihumbi, kunyegera, gutotezwa canke kwicwa n'abo basangiye igihugu.

7. Irateye akamo Leta y'Uburundi ngo yitwararike bimwe biboneka ubutungane. Abapfunzwe bahorwa ubusa, barekurwe. Abagorewe mu mvuto kubera ukudodoberezwa canke ukutitabwaho, intahe ibumvirize, batunganirizwe. Abaguma batakamba kugira ngo bakurweko, imvuto, bumvirwe. Eka n'abegwa n'ivyaha vyamaze gutohozwa, cane cane ivyo ubwicanyi n'ugusenyura intwaro yatowe, ntibagume bidegemvya nkuko umengo nta matageko aribo.

8. Iribukije ko no mu gihe nyene Amasezerano yokurikizwa ku rugero rubayabaye, nta wokwiyobagiza ko igihambaye ari amahoro ku Barundi bose. Inama nkuru y'Abashingantahe isavye amakungu kudata isuka mw'isemo, abandanye riho imirimo yishinze yo gufasha gushayura Uburundi. Kuri iryo jambo nyene, amakungu yokwibuka ko uburyo butomoye bwo gusasagaza amahoro n'umwumvikano mu bantu adukugarukira ubutunzi bw'igihugu n'ugufasha abasinzikaye. N'aho nyene amakungu yitwariritse cane indyane ziriko zimara inganda mu kigobe c'Abarabu, ntiyibagire akabi kabishe gahanamiye Uburundi.

9. Isavye Abashingantahe n'Abapfasoni bose gukenyera zikaguma. Bashinge ijisho abo bose barajwe ishinga n'uguteranya abantu n'abandi bitwaje umwiheburo uriho muri iki gihe. Bashinge ijisho abo bose bashira imbere inda ndende, maze bakibagira igihugu, barondera amaronko adaciye mu butungane. Inama Nkuru y'Abashingantahe isavye imigambwe kwitonda cane muri kino gihe, kugira ngo ntihagire abo ikwegera mu gaheza, kubera uguhahamira ubutegetsi n'amaronko.

GUSOZERA

10. Mu gusozera rino jambo, Inama Nkuru y'Abashingantahe isavye Abarundi bose gutekana n'ukwitondera rwose amajambo ashikirizwa mu gihugu. Ni bamenye gutora ayubaka n'uguca kure kure ayasambura, ata gukingira ikibaba uwo wese yipfuza ko Uburundi buba umusaka.

Vyandikiwe i Bujumbura, ku wa 21 Ruhuhuma 2003

Zeno MANIRAKIZA

Icegera c'Umukuru w'Inama Nkuru y'Abashingatahe

Adriano NTABONA

Umukuru w'Inama Nkuru y'Abashingantahe

Zeno NICAYENZI

Umukuru w'Umurwi ujejwe Imigenderanire
Hagati y'urwego rw' Abashingantahe n'izindi nzego

Résumé : **Déclaration du Conseil national des Bashingantahe sur la situation qui prévaut dans le pays**

Depuis longtemps ; les Burundais se soucient de la sécurité de leur pays et faisaient tout ce qui étaient en leur pouvoir pour la sauvegarder. C'est pour cette raison que le Conseil des Bashingantahe interpelle les politiciens burundais à respecter les accords signés , les mettre en application. et à ne pas tenir des propos incendiaires. Il conseille au peuple burundais à faire attention au discours tenu les politiciens et demande à la communauté internationale à continuer à soutenir le processus de paix au Burundi

Mots-clés : Accords , Burundi, communauté internationale, discours , éducation, gouvernement , guerre, justice, massacre, paix, parti, politique, sécurité, Tanzanie